# ITANGAZO RYO KUBIKA




Umuryango wa **Sylvestre Nibiteguza**, ugizwe n´umupfasoni wiwe **Mashahuri Olive** hamwe n´ibibondo vyabo **Kaneza Ninette, Ihorimbere Gloria, Akimana Guy Fleury, Kaze Ketty Milithia na Izere Graciela** uri n'umubabaro mwinshi wo kubikira umuryango, incuti, ababanyi n'abagenzi ko umushingantahe Sylvestre Nibiteguza yaraye aryamiye ukuboko kw´abagabo aho yarasanzwe ari mu bu hollanda. Yitavye Imana kw'igenekerezo rya **01/10/2019** mugatondo.




Habikiwe canecane umuryango wose ukomoka kuri **Ntibuteguza Tito** aho uri hose hirya no hino. Harabikiwe kandi umuryango ukomoka kuri **Mashahuri Francois**. Habikiwe abari mw´Ijenda, I Bujumbura, I Muyinga, I Gitega, tutibagiye n´abagenzi n´inshuti bari mu Rwanda, muri Canada, muri Hollande. Habikiwe kandi abo bahoze bakorana muri IGEBU, muri BINUB n´ahandi hose yagiye ararangurira imirimo. Umuryango, urabikiye incuti, ababanyi n´abagenzi bose ba **Nibiteguza Sylvestre** batiriwe baradondagura kuri runo rupapuro.

Amaziko azoba kuri uwu **wambere** igenekerezo rya **7 Gitugutu 2019** mw'itongo ry'abapfuye ryo mu mugisagara ca Deventer, mugace ka **Schalkhaar** mugihugu c´Ubuhollanda, inyuma y'imisa yokumusabira. Gusezera ubwanyuma uwo muhisi bizo guhera isaha 10h00**,** aho kurusengero. Ugukaraba bitegekanijwe kubera mukigo kiri kwibarabara **Frieswijkerweg 2, 7433BB Schalkhaar.** Tugiriyeko tubamenyesha ko umugirwa wo guca kumazi kubari muri Hollanda, tuzoca tuwugirako.

Ku bantu bari muri Hollanda bipfuza gushigikira umuryango wabuze, canke bafise ikibazo mushobora guhamagara kuri telephone +31 685 520 522, +31 685 882 111 canke +31 619 677 460.

Kubari muburundi, imisa izotangura igihe c´isaha 11h00 zo mugatondo kuri **Paroisse Jean Paul II** iri muri quartier 9, Mungagara mugisagara ca Bujumbura. Gukaraba bizoca bibera kuri salle yitwa VYIZIGIRO CENTER iri aho nyene muri quartier 9, inyuma y´imisa. Kubari muburundi, ikigandaro kizobera mu Burundi k´urugo iwe muri quartier y´**icenda** yo **mungagara**, kw'ibarabara **Kagongo** inomero **38**. Umugirwa wo guca kumazi, kubari mu Burundi, bazobibamenyesha hanyuma. Uwipfuza gushigikira abari muburundi canke uwufise ico abaza, yohamagara kuri +257 76668615 canke +25779986718.

Umuryango wa **Nibiteguza Sylvestre** ubaye urabashimira ku kigoro muzogira, mu kuza kubafata mu mugongo muri iyi minsi y'umubabaro.

***Abazoza kumaziko, ingene ibikorwa vyogushingura bizokwirikirana, ido n´ido, naho bizobera mwobisoma aha hepfo.***

Murakoze




# Programme yo gushingura umuhisi

# **Sylvestre Nibiteguza**

# **Italike 7/10/2019**

# **Muri Hollande, kuva isaha 10h-14h**

9h 00 : Gushika kw´abantu muri comité hamwe n´abasirwa bahafi (arrivée de la famille proche et les organisateurs)

10h 00: Gushika kw´abashitsi baje mumugirwa rukirisu wo gushingurana iteka umuhisi (Arrivée)

**Adresse : Timmermansweg 32, 7433 BL Schalkhaar**

10h 15: Kwinjira murusengero no kuririmbira Imana (recueillement spirituel)

10h 30: Gutangura gusezera, kunamira umuhisi, twongera dushirako amashurwe (Rituel culturel)

10h 50 : Imisa izosomwa n´umupatiri + Chorale mu Kirundi (Rituel chrétien)

11h 50 : Gushingura umuhisi (Inhumation)

12 h 15 : Gukaraba (Rituel culturel)

**Adresse: Frieswijkerweg 2, 7433 BB Schalkhaar**

14 h 00 : Gusozera urubanza

**Ufise ico ubaza canke uterera kuri ino programme, hamagara: 0031 613 935 236**

## **Umuryango wa Sylvestre Nibiteguza ubaye urabashimira ko mwipfuza kuwushigikira**